

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'IBIRAYA



TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi hasigaye indwi zine ngo bateragire (ukwezi)	Kumija mu murima bagaca bayizika buno nyene
Gufumbira bakoresheje amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Ibiro 100/are vy'amase y'ibitungwa canke wo muri nyabarega uvunze neza (ibivumvu 4 vyuzuye)	Mu gihe c'itera	Mu mabango
Gufumbira bakoresheje Umwavu uhinguye bafumbiza ubwa mbere		Ibiro 3 vy'umwavu w'ikizungu witwa NPK 17-17-17 kuri are imwe	Mu gihe c'itera	Mu mabango
Umwavu uhinguye wongerwamwo		Ikiro kimwe c'umwavu wera nk'isukari witwa Urée kuri are imwe	Inyuma y'iminsi 45 inyuma y'iteragira	Hirya no hino y'igiterwa

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

<u>Tegera neza</u> :Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana ; Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UDUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Milidiyu arirwo Urubabu		- Gutera imbuto zirobanuye ; - Kurandura ibiraya vyimeza ; - Guteragira ku mwanya mwiza ; - Gutema imitumba y'ibiraya vyeze ; - Gukurakuranya neza ibiterwa: ibiraya ntizosubirira inyanya, intore, ipilipili canke ibiraya nyene.	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Ridomile 58 PM ***canke*** Ditane M 45	Amagarama 25 mu malitiro 20 y'amazi kuri are uko haheze indwi zibiri Amagarama 50 mu malitiro 20 y'amazi kuri are ku ndwi ku ndwi
Ukuyoka kw'ibiraya Ariyo Bagiteriyose		- Kurandura ibiterwa birwaye - Kurandura ibiraya vyimeza - Gutera imbuto zirobanuye - Gukurakuranya ibiterwa: N'ukuvuga ko ibiraya bitosubira aho ibindi biraya bivuye canke ngo biterwe ahavuye intore n'ipilipili canke inyanya. - Gusubiza ibiraya aho vyavuye inyuma y'ibihe 2 vy'irima	Nta muti uriho wo kuyivura	Nta muti uriho wo kuyivura
Impfunya canke imbaragasa arizo Pisero		- Gutera imbuto zirobanuye - Kurandura ibiraya vyimeza - Kubagara ibiterwa biirwaye.	Gupompa umuti witwa Dimetowate 40 EC	Mililitiro 10 (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are
Imirandu		- Gutegura hakiri kare imirima - Kubungabunga neza imirima y'ibiraya - Kunobagura n'iminwe imirandu bakayica.	Gupompa umuti witwa Dirisiba 48 EC	Mililitiro 10 (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST